# RUMURIKIRANGABO

1.000 FBU



Nº 163 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI myandagaro 2023



## Isabukuru ya 61 y'intahe y'ukwikukira kw'igihugu c'Uburundi

P.3




## Inama y'i Moscou igira icumi na rimwe ku bijanye n'umutekano

P.4



## Urugendo rw'umukuru wa FDNB muri centrafrika

P.5

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe
Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : rédactionbcom@gmail.com
Site web : www.mdnac.bi

# Abasivire bahamagarirwa gutanga imyambaro isa n'iya gisirikare canke iy'igiporisi boba batunze

Uwurongoye Ikinyamakuru

Col BIYEREKE Floribert

Uwurongoye Uruganda

Lt-Col GAHONGANO Emmanuel

Icegera c'uwurongoye Uruganda

Maj BAZIRUTWABO Herman

Umunyamabanga

Maj NGEZAHAYO Serge

Icegera c'Umunyamabanga

Maj NGENZEBUHORO Alice

Uwuhinyanyura ikinyamakuru
Maj NDAYIZIGIYE Fidèle

Abanditsi

Lt-col HAKIZIMANA Prosper

MAJ NDAYISABA Roger

MAJ CIZA Anatole

Maj MANIRAMBONA Diomède

Maj NININAHAZWE J.M.V

Capt NZAMBIMANA Norbert

Capt NTAKARUTIMANA Ruth

Capt HABOGORIMANA J.B

Umutekano kiri mu myitwarariko ya minsi yose w'indongozi zirongoye abandi. Indongozi ibushitse itegerezwa gufata ingingo ruhasha kugira habe icuka ciza gituma haba umutekano ku munyagihugu mbere no kuri bose. Uwo mutekano kandi ugatsimbatazwa no mu nzego z'igihugu.

Inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano, inzego zijejwe gushira mu ngiro poritike y'igihugu mu vyerekeye ukwivuna abansi n'umutekano, ni inkingi mu vyerekeye ivyo kwivuna abansi n'ugucungera umutekano w'igihugu. Izo nzego zifise igikorwa kidasanzwe co gucungera ko umutekano udahungabanywa n'aba canke bariya.

Ingingo yashikirijwe n'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ku barundi n'ababa mu Burundi bose ibuza abasivire kwambara imyambaro isa n'iy'abasirikare canke n'iy'abaporisi yafashwe hageze mu ntumbero yo gukinga ibimaze iminsi vyibonekeza kandi bifise umurindi munini. Mu minsi iheze, abasivire bamwe bamwe barihaye ingendo yo kugura no kwambara imyambaro isa n'iy'abasirikare canke n'iy'abaporisi. Iyo myambaro iranadandazwa mu maduka ari mu bibanza biri mu gihugu c'Uburundi. Muri ayo maduka ukahasanga kandi n'imyambaro yigeze gukoreshwa canke yakoreshejwe n'ibindi bisirikare. Murayo maduka nyene haragurishwa n'imyambaro mishasha isa n'iy'abasirikare canke n'iy'abaporisi. Haribonekeje rero abantu bamwe bamwe bambara imyambaro yigeze gukoreshwa n'abasirikare canke abaporisi ariko ubu muri kino gihe itagikoreshwa. Ukwambara iyo myambaro vyaratuma abanyagihugu bamwe bamwe babinegura abandi bakagira ico babivuzeko eka mbere bamwe bamwe bikabatera amakenga cane cane kubijanye n'umutekano.

Biraboneka neza ko ukwambara iyo myambaro bituma haba ingorane z'ugutandukanya abagize inzego z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano n'abanyagihugu bambaye imyambaro y'abasirikare n'abaporisi. Ingendo nk'iyo ishobora guhungabanya umutekano mu gihugu cacu, na ririya imigwi y'iterabwoba ishobora gukoresha iyo myambaro ikinyegeza mu banyagihugu igahungabanya umutekano. Ntawodeha ko akarere Uburundi burimwo kakirimwo imigwi yitwaje ibigwanisho ikora nk'iyiterabwoba.

Twomenya ko ugushaka kwambara imyambaro y'igisirikare canke y'igiporisi nk' impuzu, ibirato, inkofero si bishasha, ariko muri kahise vyaboneka nk'ibitamenyerewe kandi vyari vyoroshe kubisubiza mu buryo. Muri kino gihe ni ingendo ifise iyindi ntumbero kandi iyo ngendo iriko ifata umurindi munini. Kureka ibintu bishobora guhungabanya umutekano bigashinga imizi mu gihe uburyo bwo kubigwanya tubufise bishobora gukwega ingorane tutari twiteze. Arico gituma ingingo zose zitegerezwa gufatwa kugira dutore inyishu yihuta w'izo ngorane zose ziduhanze.

Akamo ko guhamagarira gutanga imyambaro y'abasirikare canke y'abaporisi ifiswe n'abasivire mu kiganiro umuvugizi w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yagiranye n'abamenyeshamakuru ku wa 04 nyakanga 2023 ni akamo atawokwica amatwi. Ni mu ntumbero yo gukinga mu kwirinda ivyo vyose vyoshobora guhungabanya umutekano mu gihugu cacu mu gihe atacokorwa mu maguru masha. Umunyagihugu wese ategerezwa gutahura ko iyo ngingo ija mu ngiro ku neza yiwe eka mbere no ku neza y'igihugu cose. Nico gituma gutanga iyo myambaro y'igisirikare canke y'igiporisi kubushake arivyo vyoshirwa imbere gusumba kurindira ko hafatwa ingingo biciye mu nguvu.

***Col BIYEREKE FLORIBERT***

# Abagize urwego FDNB barahimbaje isabukuru igira 61 y'ukwikukira kw'Uburundi

*Abagize urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB) barahimbaje umunsi mukururu ugira 61 Uburundi bwikukiye ku wa mbere Mukakaro uyu mwaka. Uwo munsi wahimbarijwe i Gitega, ku murwa mukuru wa politike. Abasirikare bari mu butumwa hanze y'igihugu nabo nyene barahimbaje uwo munsi.*



*Umukuru w'Igihugu asaba abarundi kurwiza umwimbu niho tuzoba twikukiye nyakuri*

Ibirori vyo kwibuka uwa mbere Mukakaro 2023 vyabereye ku kibuga Stade Ingoma mu ntara ya Gitega, umurwa mukuru wa politike w'Uburundi. Umukuru w'igihugu Jenerari Majoro Ndayishimiye Varisito niwe yateye iteka ibirori vy'uwo munsi. Icivugo c'uyu mwaka kivuga kiti : « Twese hamwe turwize ubutunzi bw'igihugu niho tuzoba dutsimbataje intahe y'ukwikukira ». Abagize urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB) baritabiriye ivyo birori. Bahasanga ikibanza c'iteka nakare nibo baharaniye ukwikukira, bakaba bahamagarirwa, hambavu yo kubungabunga iryo ragi, ivy'umwihariko gukingira ubutaka bw'igihugu n'ubwigenge bwaco, kurwanya umurwi wose wokwiyadukiza guhungabanya inzego z'igihugu, kurwanira no gukingira ibikorwa n'inyubako zikomakomeye z'igihugu.

Ibirori vy'uwo munsi vyaranzwe na defile y'abasirikare yari irindiranywe igishika n'abenegihugu isinzi bari bitabiriye uwo munsi nkoramutima, bikaba kandi vyaranzwe n'utugenegene twakozwe n'abasirikare nko gukoroka uva mu ndege ukoresheje umugozi, gukoroka uva mu ndege ukoresheje umutaka, gusimba uva mu miduga iriko yiruka cane hanyuma ugaca wurira iciruka, n'ibindi.



*Abasirikare basimba bongera burira ku modoka iriko iragenda kugira baryoshe ibirori*

Mw'ijambo ryiwe ry'uwo munsi, umukuru w'igihugu yarashimye ubutwari bw'abarundi bitanze kugira igihugu cikukire. Yahamagariye abenegihugu gufatira akarorero ku ncungu y'ukwikukira umuganwa Rudoviko Rwagasore. Yarashimiye abagize inzego zo kwivuna abansi n'umutekano bo bitanga ijoro n'umurango, ataco badakora mu kurangura ivyo bashinzwe. Mu gushimikira ivyo yashikirije, umukuru w'igihugu Ndayishimiye Varisito yaratanze ubushimwe hamwe n'impapuro z'iteka kubabaye imboneza mu kazi ka minsi yose, haba abari mu nzego zo kwivuna abansi n'umutekano hamwe n'abandi benegihugu bo mu buzi butandukanye.

**Ihimbazwa ry'ukwikukira muri ATMIS**

Muri Somaliya, abasirikare bari mu butumwa bwo kugarukana amahoro mu rwego ATMIS barifadikanije n'abarundi bose mu gihimbaza isabukuru y'intahe yo kwikukira. Ibirori vyabereye ku ciccaro gikuru ca ATMIS i Mogadisho hamwe no ku cicaro gikuru c'inteko z'Uburundi i Jowhar. Ivyo birori vyatewe iteka n'intumwa idasanzwe y'umukuru wa komisiyo y'ubumwe bwa Afrika (RSPC/UA) muri Somaliya Ambasaderi Souef Mohamed El-Amine, uwurongoye akarere ka gatanu Jenerari Majoro Niyiburana Yohani, indongozi zitandukanye muri ATMIS hamwe n'abafasha urwego ATMIS bakorera I Mogadisho na Jowhar.

Ku cicaro gikuru ca ATMIS, mw'ijambo ryiwe, intumwa idasanzwe y'umukuru wa komisiyo y'ubumwe bwa Afrika Ambasaderi Souef Mohamed El-Amine yaribukije intererano nyamukuru z'Uburundi mu kugarukana amahoro n'ukuyatsimbataza muri Afrika, cane cane muri Somaliya no mu gihugu ca Cenrafrika. "Uburundi bwaratereye bimwe biboneka mu mahoro kw'isi yose cane cane mukuzana inyishu ziciye muri politikemu guhuza no kwitangira amahoro n'umutekano", nk'uko vyamenyeshejwe na RSPC/UA. « Uburundi ntibwigeze bunana mu kwitanga mu bikorwa vy'amahoro biboneka kuri benshi nk'umwizero wonyene wo kugarukana amahoro arama nko muri Somariya no muri Repubirika ya Centrafrika », nk'uko yavyongeyeko. Ku ruhande rwiwe, Riyetena Jenerari Sam Okiding umukuru w'urwego gisirikare rwa ATMIS, yarashimye inteko z'Uburundi zitanze mu kugarukana amahoro muri Somaliya no mu gukingira abenegihugu ba Somaliya mu karere bakoreramwo. "Ikontenja y'abarundi muri Somaliya niyo yabaye mu zambere mu guharanira amahoro no kuyatsimbataza mu karere ikoreramwo, turabakeje kurako kigoro kadasanzwe", nk'uko vyavuzwe n'umukuru w'urwego rwa gisirikare muri ATMIS. I Jowhar, ibirori vyatangujwe no kugendura abasirikare n'uwurongoye ikontenja y'abarundi ikorera muri ATMIS, Jenerari Majoro Niyiburana Yohani Korode. Mw'ijambo ryiwe, yaramenyesheje ko hamaze kurangurwa ibitari bike, kuko ubu abarundi bafise uburenganzira bwo kwitorera abababtwara ku ngeri zose, bikerekana ko Uburundi ari igihugu cikukiye kandi kirangwamo demokarasi.

**Ihimbazwa ry'ukwikukira muri Minusca**

Muri Republika ya Centafrika, inteko z'Uburundi zikorera ubutumwa bw'amahoro muri Centrafrika barifadikanije n'abarundi mu guhimbaza isabukuru y'ukwikukira kw'Uburundi. Intumwa idasanzwe iserukira Umunyamabanga mukuru w'urwego mpuzamakungu hamwe n'umurongozi w'ubutumwa Minusca barakeje abarundi hamwe na Kontenja igira umunani y'abarundi. Bose barashimye intererano y'abarundi mu gushira mu ngiro ubutumwa ATMIS. Uwurongoye ikontenja y'umunani y'abarundi ikorera muri ATMIS, Riyetena Koroneri Mbonyiyeze, yamenyesheje ko amahoro hamwe n'ugutsimbatara muri politike abarundi barimwo ari ivyamwa vyavuye mu kwitanga kw'abarundi bo nyene ku vyerekeye amahoro bafashwe mu mugongo n'abagenzi hamwe n'ibihugu bigenzi. Ni naco gisigura iboneka ry'abarundi mu butumwa bw'amahoro butandukanye bagiye kugarukana amahoro mu bihuhu biyabuze, nk'uko yavyemeje. Mu bijanye no gufashanya, twomenyesha ko Uburundi bufise ikibanza ciza dufatiye ku migenderanire Uburundi bufitaniye n'amahanga.

***Maj BAZIRUTWABO HERMAN***

# Hariho ibikenerwa kugira inzego zo kwivuna abansi zikorane neza

*Mu nama igira cumi na rimwe yama ibera i Moscou mu Burusiya, Umushikiranganji wo Kwivuna Abanasi no Kwitaho Abahoze ku Rugamba, Alain Tribert MUTABAZI, yareretse abatumire barenga 800 bari baje bava kw'isi yose ko inzego z'umutekano co kimwe n'izindi zitegerezwa gukorana mu kwubahana kandi hisunzwe inyungu za bose, iciyumviro mbere yasanze gishikiwe cane n'abaserukira abarusiya baganiriye.*

Yifashishije ubuhinga bwa none (PowerPoint), Umushikiranganji Mutabazi yaratanze ivyiyumviro bihambaye ku bijanye n'ingene atagutinya ibihano canke izindi ngingo z'agahotoro. Ibihugu canke inzego zo kwivuna abansi zitegerezwa kuba babiri bavurana ubupfu kandi bose bukumva ngiro amasezerano yo gufashanywa yashizweko umukono mu mwaka w'2022.




*Iyo inzego z'ukwivuna abansi zigiye zirakorera hamwe zongera ziganira bituma zumva ibintu kumwe*

inzego z'ukwivuna abansi zokorana n'akarusho kovamwo. Yabanje gushimira abarongoye Uburusiya kubera bama bateguye iyo nama kugira hihwezwe ibibangamiye umutekano kw'isi no mu turere bamwe bose baherereyemwo. Yaciye amenyeshako amutekano mu turere dutandukanye canke kw'isi yose womera neza mu gihe inzego z'ukwivuna abansi zikoranye neza kandi zikaja zirahanahana amakuru kenshi.

Abanje gusigura neza gukorana no guhanahana amakuru, Umushikiranganji Mutabazi yamenyesheje ko iyo inzego z'ukwivuna abansi zigiye zirakorera hamwe zongera ziganira bituma zumva ibintu kumwe ku bijanye n'ingene umutekano wobumbatirwa mu karere no kw'isi yose. Yamenyesheje ariko ko ivyo bikunda mu gihe iyo migenderanire yubakiwe kw'iteka no kwubahana kuri bompi canke bose. Muri mwene iyo migenderanire, umwe wese arayiyumvamwo atagahato, ko ata muto canke igicibwa kirimwo nk'uko amasezerano yashizeho ishirahamwe mpuzamakungu ONU yemezako ibihugu vyose bitegerezwa kugira ubwigenge bungana. Iyo nama yama ibera i Moscou yatangujwe mu mwaka w'2012 kugira uko umwaka utashe barabire hamwe ivyohungabanya umutekano mu turere dutandukanye tw'isi, igaca mbere iba akaryo keza ku baserukiye ibihugu ko kugira imibonano yo gutsimbataza imigenderanire.

**Imibonano n'abaserukiye Uburusiya**

Iruhande y'iyo nama, Umushikiranganji Mutabazi yaritavye ihwaniro mpuzamakungu ku buhinga bwa gisirikare imbere yo kuganira n'abajejwe gufashanya mu vya gisirikaye mu Burusiya. Baganiriye ahanini ku bijanye no gutsimbataza imigenderanire isanzwe imaze igihe kinini cane. Baranahanahanye iv'iyumviro ku bijanye no gushira mu Mukurangiza urugendo rwiwe mu Burusiya, Umushikiranganji Mutabazi yaraganiriye n'icegera z'umushikiranganji ajejwe kwivuna abansi mu Burusiya, Iounous-bek Evkourov. Nahone baganiriye ku bijanye no gufashanya mu vya gisirkare, aho icegera c'umushikiranganji w'Uburusiya yemeje ko imigenderanira bama bayubakira ku kwubahana nk'uko Umushikiranganji Mutabazi yari yaraye abishikirije mu vyotuma gufashanya bimera neza gusumba.

Twokwibukanya ko kw'igenekerezo rya 11 rusama 2023 Umushiranganji Mutabazi yari yaranaganiriye n'uwuserukira Uburusiya mu Burundi, Valery Alexandrovitch MIKHAYLOV, n'intumwa yari arongoye harimwo uwujejwe gufashanya mu vya gisirikare mu karere ka Afirika y'ubuseruko. Ico gihe bakaba nahone biyemeje gutsimbataza imigenderanire muvya gisirikare nyene.

***Lt-Col HAKIZIMANA PROSPER***

# Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi arashimishwa n'urugendo yagize mu gihugu ca centrafrika

*Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerali Niyongabo Prime yaragendeye, kuva kw'igenekerezo rya 25 gushika irya 29 mukakaro 2023, ingabo z'Uburundi ziri kugarukana amahoro mu gihugu ca centrafrika mu rwego rwa Minusca.*

Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime arikume n'intwazangabo zikorera mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yaragize urugendo rw'akazi rw'imisi itanu mw'i kontenja y'8 y'abasirikare b'ababarundi bari muri Minusca mu gihugu ca centrafrika. Yamenyesheje ko urwo rugendo ruri mu mirimo yiwe ya misi yose yo gusanga ingabo ku kivi kugira ngo yirabire uko bariko bararangura ibikorwa, yumvirize ingorane bafise kugirango hatorwe inyishu zazo hakiri kare, yongere kandi abatere intege mu bikorwa baba barimwo. Umukuru w'ikontenja y'8, riyetena koroneri Mbonyiyeze J. Pierre ari nawe yakiriye umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ku kibuga c'indege c'i M'Poko, yaramushimiye kuri urwo rugendo yagize rwo kubasanga ku kivi, akavuga ko bari kugarukana amahoro mu gihugu ca Santrafrika ko inyigisho ariwo mushinge w'igisirikare c'umwuga. Ni naho yaca amenyesha ko ibintu vyose vyamaze gutegurwa mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kugirango inyigisho zifate ikibanza ca mbere mu gisirikare c'Uburundi. Yaribukije abasirikare ko intsinzi y'ibikorwa vya gisirikare ihagaze ku nyigisho z'umwanya wose. Ni muri iyo ntumbero yahimirije abasirikare bo mw'i kontenja y'8 ko inyigisho bozifata nk'ikigwanisho kibafasha gutsinda urugamba. Yabahimirije kuguma bimenyereza uko bukeye uko bwije kugirango ibikorwa vyose vya gisirikare vyadutse babikorane ubuhinga bize.

Iruhande y'ugukomeza inyigisho, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi igira 8 ya Minusca, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yarabonanye kandi n'icegera c'uwuserukira umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, Joanne Adamsom arikumwe n'icegera c'uwurongoye ingabo za Minusca, Jenerari Majoro Pedro Miguel Gonçalves Soares i Bangui. Bakaba baganiriye ibijanye no gutunganya neza ku rugero rw'ingabo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU ikibanza abasirikare b'abarundi barangurira ibikorwa vyabo i Grimari babamwo aho i Grimari nyene. Joanne Adamsom yamenyesheje muri uwo mubonano ko ingabo z'Uburundi ziri kugarukana amahoro muri Centrafrika zirangura neza ibikorwa vyo kugarukana amahoro n'umutekano mu buryo bushimisha



*Inteko z'Uburundi ziri mu rwego rwa Minusca zisabwa kugendera inkingi za FDNB mu kurangura ubutumwa*

rwahaye akaryo abasirikare ko kwivuganira n'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi amaso mu yandi. Inyuma yo kumenyesha ingene umutekano w'akarere arongoye wifashe, riyetena koroneri Jean Pierre Mbonyiyeze yaratembereje umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi mu turere twose ingabo zigize kontenja y'8 ziranguriramwo imirimo yabo yo gucungera amahoro n'umutekano w'igihugu ca centrafrika n'abakibamwo.

Muri urwo rugendo rwiwe,

Jenerari Niyongabo Prime yaraganiriye n'abasirikare bakorera i Sibut, i Dekoa na Grimari abasanze aho bakorera. Yaragendeye kandi i Damara abasirikare bakorera ahonyene barikumwe n'abakorera i Bangui. Aho yaciye hose, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yarashimiye cane abasirikare ba kontenja y'8 n'abayirongoye ku bwira bakorana mu gushira mu ngiro ibikorwa vya Minusca. Yaranashimye kandi ivyo iyo Kontenja imaze kurangura kuva ishitse mu gihugu ca Santrafrika. Yarongeye avuga ko yanezerejwe n'imegenderanire myiza yasanze iri hagati ya Kontenja y'Uburundi n'abandi babwirizwa gukorana.

### Inyigisho n'indero vya gisirikare nk'umuti wo gutsinda urugamba

Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yaribukije abasirikare yamenyesheje ko urwego rw'ukwivuna abansi rwakomeje kandi indero gisirikare mu kunagura amategeko amwe amwe agenga abagize urwo rwego. Aha yaragarutse cane cane ku mategeko mashasha agenga abasirikare bo ku ngero zose ategekanya ibihano bikaze ku bazoyarenga. Jenerari Niyongabo Prime yasiguye ko gushiraho ayo mategeko akomeye biri mu ntumbero yo gutsimbataza indero nziza ya gisirikare isanzwe ariwo mushinge w'igisirikare c'umwuga.

Ni muri iyo ntumbero yaciye asaba umusirikare wese ko yosoma akongera akagira gwiwe ayo mategeko mashasha kugirango uwo wese ari mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yirinde ico cose comutuma agwa mw'ikosa. Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yaranibukije kwitwararika kwubaha akarangamutima ngenderwako ka gisirikare gahagaze ku bintu bitanu arivyo indero ya gisirikare, ugukunda igihugu, ugusenyera ku mugozi umwe, ugukorana ubuhinga nyamwuga hamwe no kubaha amategeko bisanzwe ari vyo nkingi z'igisirikare c'Uburundi.

### Ikontenja y'Uburundi ikorana neza n'abandi babwirizwa gukorana

Igihe yariko agendera ikontnja y'Uburundi abanyagihugu ba centrafrika hamwe n'abarongoye Minusca.

Jenerari Niyongabo Prime yarabonanye kandi na mugenziwe, Jenerari Mamadou Zéphirin, umukuru w'ibiro bikuru vy'igisirikare ca centrafrika. Jenerali Mamadou Zéphirin yamenyesheje mugenziwe ko ingabo za centrafrika zikorana neza na Kontenja y'Uburundi iri muri centrafrika. Yarashimye cane ukwitanga kuranga ingabo z'Uburundi mu gukingira umutekano w'abanyagihugu ba Santrafrika. Mu gihe igisirikare ca centrafrika gisanzwe kigifise ingorane z'abasirikare banonosoye neza inyigisho za gisirikare, abo bategetsi bompi baraganiriye ku mugambi wo gufashanya hagati y'Uburundi na centrafrika mu bijanye n'inyigisho za gisirikare.

Igihe yariko arasozera urugendo rwiwe, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yamenyesheje ko yashimishijwe cane n'ibikorwa kontenja y'8 imaze kurangura, hamwe n'imigenderanire myiza iri hagati y'iyo Kontenja n'abandi batandukanye bahurira mu bikorwa vyo kugarukana amahoro n'umutekano barimwo. Tubibutse ko urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwama rurungika ikontenja y'abasirikare muri centrafrika mu rwego rwo kugarukana amahoro n'umutekano, bagomborana ku mwaka ku mwaka kuva mu mwaka w'2013.

***Maj CIZA ANATOLE***

# Abagenywe mu gisirikare c'Uburundi kuba aba Jenerari ku wa mbere mukakaro 2023 boba ari bande ?

*'Ku wa mbere mukakaro 2023, ku munsi wo kwibuka isabukuru igira 61 yo kwkukira kw'Uburundi , intwazangabo 6 zo mu gisirikare c'Uburundi zaragenywe kuja mu rwego rw'abajenerari. Izo ntwazangabo zifise uburambe n'ubuhinga budasanzwe mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Muri kino kimenyeshamakuru tubabwira abajenerari babiri , abandi bane tukazobavugako mu kinyamakuru kizokurikira.*

## Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys ni nde ?

Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys , ni umuyobozi mwishikira mu biro vy'umukuru w'igihugu ajejwe ivyagisivire kuva ku wa mbere nyakanga 2022.

Arangije inyigisho zo mu gisivire no mu gisirikare , Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys yagiye arashingwa amabanga atandukanye haba mu Burundi canke mu karere ka Afrika y'ubuseruko mu vyerekeye kugarukana amahoro n'umutekano.



Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys

### Uburambe mu kazi

Mu gihe yinjira mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi , Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys yarafise ipete rya Riyetena koroneri agenda araduzwa amapete. Mu mabanga yagiye arashingwa mu gihugu, Jenerari de Brigade sindayihebura Aloys yararongoye akarere ka gatatu ka gisirikare. Imbere rero y'uko aba umuyobozi mwishikira mu biro vy'umukuru w'igihugu ajejwe ibibazo vy'igisivire, Jenerari Sindayihebura Aloys yarajejwe amabanga yo kurongora igisata kijejwe iperereza hanze y'igihugu akaba yaheruka kandi kurongora igisata kijejwe iperereza hagati mu gihugu mu gisata c'igihugu kijejwe iperereza. Imbere yuko aja kurangura ayo mabanga mu gisata c'igihugu kijejwe iperereza, Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys yari yagenywe nk'intwazangabo iserukira Uburundi mu bijanye no gukurikirana ibiriko biranguka mu muryango w'ibihugu bigize akarere ka Afrika y'ubuseruko. Akaba yaranguye ayo mabanga imyaka irenga itandatu. Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys azwi nk'intwanzangabo yakoze cane muvyerekeye igikorwa co kugarukana amahoro muri Afrika inyuma yaho abaye icegera c'uwutwara kontenja y'Uburundi mu gihugu ca Somaliya mu rwego rwa Amisom. Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys yararanguye amabanga mu muryango w'ibihugu bigize Afrika yo hagati aho yari mu bitabiriye umugambi wo gutsimbataza amahoro mu gihugu ca centrafrika (MICOPAX) kugira ube umugambi mpuzamakungu wo gushigikira igihugu ca centrafrika urongowe na Afrika nyene (MISCA).

Inyuma yaho kubera ubuhinga n'ubukerebutsi, Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys yaciye ashingwa amabanga yo kuba umuhanuzi mu mushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba. Yarabaye kandi intumwa idasanzwe y'umukuru w'igihugu mu bihugu bitari bike. Yaragiye kandi aritabira inama mpuzamakungu zitunganijwe ku nzego zo hejuru. Kubera uruhara yagize nk'umurorerezi mu matora yabaye muri Leta zunze ubumwe za Amerika, Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys vyamutumye atahura gusumba ivyiyumviro bitandukanye hamwe no mu vyerekeye gukomeza intwaro rusangi.

Hambavu y'ubumenyi n'ubuhinga, afise, Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys azwi nk'umuntu yicisha bugufi kandi afise umwete udasanzwe w'ibikorwa , azi kurongora abandi eka mbere no mu gutora inyishu z'ibibazo kandi bikagenda neza. Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys afise ubumenyi mu gisirikare no mu vyerekeye guserukira igihugu, ivyo vyose bigatuma arangura neza akazi mu vyerekeye gutwara abandi mu nzego.

### Inyigisho nkarishabwenge n'amanama

Hambavu y'ubumenyi, bwo mw'ishure, Jenerari de Brigade Sindayihebura Aloys yarakurikiranye inyigisho zo gukarisha ubwenge aha twovuga izo mu gihugu c'ubu Hollande no kw'ishure rya gisirikare c'I Paris- SWIRIMO mu 2009 mu bufaransa , Yaoundé muri Caméroun ( Louango 2014) eka no mu Rwanda ( Senior command and staff college ).

***Maj BAZIRUTWABO HERMAN***

# Jenerari de Brigade BUKURU Elie ni nde ?

Jenerari de Brigade Bukuru Elie, arongoye igisata c'ubutunzi c'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yavutse mu 1969 ku musozi Gitobo, zone Muhweza muri Komine Rutovu mu ntara ya Bururi. Ahejeje kuronswa urupapuro rw'umutsindo rw'amashure yisumbuye mu gisata c'ubuhinga (Scientifique B), Jenerari de Brigade Bukuru Elie yaciye yinjira mw'ishure kaminuza ry'intwanzangabo (Iscam) muri myandagaro 1990 mu murwi wa 26 w'intwazangabo. Yaciye akurikirana ivyirwa bijanye n'ubutunzi n'intwaro aho yaciye aronswa urupapuro rw 'umutsindo mu 1995. Jenerari de Brigade Bukuru Elie arubatse akaba afise abana bane.



Jenerari de Brigade Bukuru Elie

### Amabanga yagiye ararangura

Arangije ishure kaminuza ry'intwazangabo (Iscam)muri kigarama 1995, Jenerari de Brigade Bukuru Elie yagiye arashingwa amabanga atandukanye. Kuva muri nzero 1996 gushika muri nzero 1997, yatwara iperoto mw'i batayo ya 11 y'imodoka ntamenwa, hanyuma kuva nzero 1997 gushika mukakaro 1997, yatwara iperoto mw'ibatayo ya 53 y'abakomando. Kuva mukakaro 1997 gushika ndamukiza 2000, yatwara ikompanyi mw'ibatayo ya 6 y'abakomando hanyuma kuva ndamukiza 2000 gushika ruhuhuma 2004 yatwara ikompanyi mw'ibatayo icungera ikiyaga. Kuva muri munyonyo 2004 gushika kigarama 2005, Jenerari de Brigade Bukuru Elie yarajejwe gutohoza amakuru ku mwansi, inyigisho, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare (S2-S3) mw'ibatayo ijejwe gukingira ikiyaga. Kuva muri kigarama 2005 gushika muri ruhuhuma 2007, Jenerari de Brigade Bukuru Elie yaciye agenwa nk'umurorerezi mu vya gisirikare mu butumwa bwo kugarukana amahoro, i Darfour mu gihugu ca Soudani (AMIS). Avuye muri ubwo butumwa, yaciye ashingwa amabanga yo kuba icegera c'uwurongoye i batayo yo gucungera ikiyaga kuva muri ruhuhuma 2007 gushika nyakanga 2007 hanyuma aca arongora iyo batayo nyene kuva muri nyakanga 2007 gushika muri munyonyo 2010. Kuva 2010 gushika 2011, Jenerari de Brigade Bukuru Elie yarajejwe ivy'intwaro mw'ikambi ikoresha inkoho za rutura (B1 dans les unités UAA) Kuva mu 2013 gushika mu 2014, Jenerari de Brigade Bukuru Elie yaciye agenda gukarisha ubwenge mu gihugu ca Leta zunze ubumwe za Amerika muri Leta ya Pennsylvanie. Agarutse mu Burundi, yaciye aba umwigisha mw'ishure ryigisha intwazangabo nkuru (CEMCI). Kuva muri nyakanga 2015 gushika muri ruhuhuma 2016, Yaciye agenwa kuba icegera c'uwujejwe inyigisho z'ubuhinga mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Mu nyuma yaciye agenwa kuba intwanzangabo itegura imigambi hamwe no gukurikirana igisata kijejwe amahoro n'umutekano i New York kuva muri ntwarante 2016 gushika muri ntwarante 2019. Jenerari de Brigade Bukuru Elie yarabaye icegera c'uwujejwe igisata gitegura imigambi mu rwego rw'ukwivuna abansi kuva muri ndamukiza 2019 gushika muri munyonyo 2021. Kuva munyonyo 2021 gushika nzero 2021, Jenerari de Brigade Bukuru Elie yararongoye igisata c'Ubutunzi mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi imbere yuko ashingwa amabanga yo kuba umukuru w'ibiro bikuru mu butumwa bwo kugarukana amahoro mu gihugu ca sudani yepfo kuva muri nzero 2022 gushika muri nzero 2023. Agarutse mu Burundi, Jenerari de Brigade Bukuru Elie yaciye asubira mu mabanga yarimwo yo kurongora igisata kijejwe ubutunzi mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi . akaba ari murayo mabanga kuva muri nzero 2023 gushika n'uno munsi.

Jenerari de Brigade Bukuru Elie yaragiye araronka ubushimwe akatari gake n'amakete yo kumukeza kubera umwete n'ubwira yakorana ubutumwa aha twovuga nkutwo yaronkeye mu gihugu ca Leta zunze ubumwe za Amerika ( Pennyslvanie) no mu gihugu ca Sudani yepfo.

### Inyigisho nkarishabwenge yagize

Jenerari de Brigade Bukuru Elie yagize inyigisho nkarishabwenge zo gutwara ikompanyi muri ruhuhuma gushika munyonyo 2003 (SPO) mu gihe inyigisho zitegekanijwe ku ntwanzangabo nkuru yazigize muri myandagaro 2011 gushika ruheshi 2012 (CEMCI). Yarakurikiranye kandi inyigisho zerekeye amategeko mpuzamakungu mu gihugu ca Leta zunze ubumwe bwa Amerika (Pennyslvanie ) muri myandagaro –nyakanga . yaritabiriye inama zo ku rwego rwo hejuru incuro zibiri zose mu gihugu ca Leta zunze ubumwe za Amerika ku wa 6 gushika kuwa 9 ntwarante 2017 hamwe no ku wa 9 gushika ku wa 12 ntwarante 2020.

### Inkino hamwe no kwinezereza

Jenerari de Brigade Bukuru Elie ni intwazangabo ikerebutse, azwi nk'umuntu akunda ibikorwa, hambavu y'ururimi kavukire, aravuga neza ururimi rw'igifaransa, icongereza hamwe n'igiswahiri. Mu vyerekeye inkino, Jenerari de Brigade Bukuru Elie akina inkino zose. yarigeze kuba ahiganwa kwiruka ku metero ijana n'amajana abiri kandi akaronka ikibanza ciza. Ariko muri kino gihe, akunda kwinonora imitsi mu kwoga (Piscine) hamwe no gusoma ibitabo.

*Maj NGEZAHAYO SERGE*

# Iyugururwa ku mugaragaro ry'umwaka w'inyigisho n'imyimenyerezo mu gisirikare

*Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime yaruguruye ku mugaragaro umwaka w'inyigisho n'imyimenyerezo umwaka w'i 2023 ushira uw'i 2024 i Muyinga mu karere ka gatatu ka gisirikare kw'igenekerezo rya 13 Mukakaro 2023. Mw'ijambo nyamukuru, yaramenyesheje ko inyigisho n'imyimenyerezo ari inkingi ngenderwako kugira abagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bashobore gukora akazi bazi ko gukingira igihugu.*





*Inyigisho n'imyimenyerezo niyo nkingi yo gukomeza ubumenyi mu gisirikare*

Rumaze kubona ko inyigisho n'imyimenyerezo zifise uruhara ntangere, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwariyemeje mu nteguro y'inyigisho n'imyimenyerezo kandi ruratanga intumbero itomoye ngenderwako ku barongoye abandi mu gisirikare ku mice yose kugira abasirikare bose barangure igikorwa c'ibanga co gukingira igihugu bakizi neza. Ni mur'iyo ntumbero, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwatunganije umwimenyerezo bita « CPX » mu rurimi rw'icongereza ku rwego rwa Brigade kw'igenekerezo rya 10 gushika ku rya 13 mukakaro 2023 i Muyinga mu karere ka gatatu ka gisirikare. Haheze gusozerwa uwo mwimenyerezo, Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime yaciye yugurura ku mugaragaro , umwaka w'inyigisho n'imyimenyerezo w'i 2023 ushira uw'i 2024.

**Inyigisho n'imyimeyerezo, inkingi yo gukomeza ubumenyi mu gisirikare**

Mu gihe hariko hugururwa umwaka w'inyigisho n'imyimenyerezo w'i2023 ushira uw'i 2024, umukuru w'urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi Jenerari Niyongabo Prime yamenyesheje mw'ijambo yashikirije ko inyigisho n'imyimenyerezo zituma abasirikare bakora akazi bakazi neza muri rya banga ryo gukingira igihugu. Yamenyesheje kandi ko icuvugo c'uno mwaka kivuga giti : « inyigisho n'imyimenyerezo ni inkingi ngenderwako ku bagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ». Ico civugo kirerekana neza atagukekeranya umwitwarariko w'abarongoye igisirikare kugira bakomeze ubumenyi ku bagize urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi biciye mu nyigisho n'imyimenyerezo, wo mushinge w'ubumenyi n'ugukora umwuga wa gisirikare mu kurangura neza rya banga ryo gukingira igihugu cacu c'Uburundi.

**Gusozera umwimenyerezo « CPX » Brigade**

Urubanza rumwe rumara zibiri, ukugurura ku mugaragaro umwaka w'inyigisho n'imyimenyerezo w'i 2023 ushira umwaka w'i 2024 mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi vyatanguriwe n'ugusozera umwimenyerezo bise « CPX » Brigade. Akarere kose kari kaserukiwe na Brigade muri uwo mwimenyerezo. Intwazangabo uherεye kubarongoye abandi mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi gushika ku batwara amabatayo bari bitavye kugira bakwirikirane uwo mwimenyerezo wari wateguwe n'intwazango zikorera mu ma Brigade yari yaserukiye uturere twose twa gisirikare. Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime yari yateye iteka ivyo birori yamenyesheje ko uwo mwimenyerezo ufise intumbero wo gutegura intwazangabo kugira zame ziteguriye kugwanya umwansi eka n'ico cose coza kigomba guhungabanya igihugu cacu c'Uburundi. Uwo mwimenyerezo kandi , nkuko umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yabandanije abimenyesha ni akaryo keza ku ntwazangabo zo mu ma brigade mu kwimenyereza gutanga amategeko kubo barongoye kugira bakomeze wa muco wo kumenya ico uriko urakora n'ukugikora neza. Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yarashimiye intwazangabo zo muri Brigade bitanze batizaganya, ijoro n'umutaga mu kurangura uwo mwimenyerezo. Yarashimiye kandi abitanze bose umwe wese muco yarajejwe kugira ivyo bikorwa vyose bishobore kuranguka.

Uwararongoye umurwi warujejwe gukurikirana ingene uwo mwimenyerezo uriko uraranguka , koroneri Wakosi Thierry yaramenyesheje nawe nyene ko hogwizwa imyimyenerezo nkiyo , kugira ubwambere intwazangabo zame ziri ku gihe mu vyerekeye inyigisho hama ubwakabiri kugira bashobore kurangura neza akazi bajejwe ahariho hose bazohamagarirwa kurangura igikorwa.

***Maj NGEZAHAYO SERGE***

# Umugenzo wo gutegura imigambi : Inzira irashe mu gushika kw'ihangiro ry'ishirahamwe iryo ariryo ryose

*Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwaratunganije uruganda rw'inyigisho ku bijanye no gutegura imigambi, ugukurikirana n'ugusuzuma ibirangurwa hamwe n'ikoreshwa ry'uburyo rifatiye ku musaruro. Izo nyigisho zikaba zaronkejwe abarongoye ibiro vy'imice igize urwo rwego hamwe n'ibisata bigize ibiro bikuru vyarwo. Urwo ruganda rw'indwi zitatu rwabereye mu kigo kijejwe inyigisho n'ihimiriza kiri hafi y'ahari ibatayo yahoze yitwa ikambi Muha.*

Mu ntango z'ukwezi kwa mukakaro, leta y'Uburundi irashikiriza Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi amafaranga akenewe kugira ngo rurangure imirimo yarwo. Ugukoresha neza ayo mafaranga ni yo nzira irashe ishikana ku musaruro uba wipfujwe. Kubw'ivyo integuro inonosoye neza irakenerwa. Muri iyo ntumbero,urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarakoranirije hamwe abarongoye ibiro vyarwo mu kiringo c'indwi zitatu mu kwezi kwa mukakaro no mu kwezi kwa Myandagaro mu mwaka w'i 2023 kugira ngo bige uwo mugenzo w'ugutegura imigambi.





*Integuro inonosoye neza ni nkenerwa*

### Kwiga gutegura neza imigambi

Mw'ijambo ryiwe ryo kwugurura urwo ruganda, icegera c'uwurongoye igisata kijejwe gutegura imigambi mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Koroneri Manirakiza Cyriaque yamenyesheje ko izo nyigisho zifise intumbero yo kwongerereza ubumenyi intwazangabo zijejwe ibiro mw'itegura ry'imigambi hamwe n'ugukurikirana gufatanije n'ugusuzuma ibirangurwa kugira ngo babe nk'inyenyeri iboneshereza hose muri ivyo biro mbere nabo bace batanga ubwo bumenyi ku bo batwara. Ku bwiwe, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruzoshobora gufata ikibanza carwo rukarangura n'ibikorwa rujejwe biciye kw'itegura rinonosoye ry'imigambi irashe,yunguka yisunze umusaruro witezwe. Koroneri Manirakiza Cyriage yashimangiye avuga ati « Kugira ngo urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurushirize kugira ubutwari,rutegerezwa gushimikira kw'itunganywa ry'imigambi itumbereye rubicishije ku vyanditse bihambaye kandi bitanga umusaruro cane cane umugambi w'igihugu werekeye iterambere,umugambi w'igihugu ujanye n'ukwivuna abansi , urwandiko rw'ivyankenerwa birashe,Itegeko nshingiro, hamwe n'imbono w'Uburundi: Igihugu cifashe mu mwaka w'i 2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'i 2060 »

### Gukoresha ubumenyi barahuye

Mu gusozera urwo ruganda, uwurongoye igisata kijejwe gutegura imigambi Koroneri Bankuwabo Pascal yarerekanye ko inyigisho zatumye abazironkejwe barahura ubumenyi mu bijanye no gutegura imigambi ihambaye kandi ngirakamaro,ugukoresha uburyo ufatiye ku co buzokwunguka,ugukurikirana bifatanye n'ugusuzuma hamwe n'ubuhinga ngurukanabumenyi bwisunze integuro. Yagiriyeko abahamagarira gukoresha ubumenyi barahuye kugira ngo bateze imbere ubuhinga bwo gutegura indinganizo z'ibikorwa mu biro vyabo ,ukuraba ibibazo nyamukuru,ukubironderera inyishu, ugutunganya imigambi hamwe n'ugushiraho igicapo ca Gantt mu ntumbero yo guterera mu migambi y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu buryo bwihariye n'umugambi w'igihugu muri rusangi. Yavuze ati: «Gukora gusa ntiguhagije,ariko hasabwa ko bijana no kumenya ko ico ukoze gihuye n'icategerezwa gukorwa ufatiye ku giciro no kubuziranenge bwaco »

Umuhinga w'umunyamerika Henry Alfred Kissinger yavuze ati « Igihe utazi iyo uja ,inzira zose ntanahamwe zishika». Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwarahejeje kwicira inzira rubicishije ku nteguro y'imigambi. Mu vyo rwiteze inyuma y'uru ruganda harimwo ugushira mu ngiro kw'indinganizo y'ibikorwa vy'umwaka w'i 2023-2024,hamwe n'integuro nziza y'indinganizo y'ibikorwa vy'umwaka w'i 2024-2025



*Abakurikiranye inyigisho bahamagarirwa gukoresha ubumenyi bahakuye*

***Lt-Col GAHONGANO EMMANUEL***

# Gukingira abenegihugu n'ivyabo niryo hangiro ry'ubutumwa barimwo

*Uwurongoye ingabo z'umuryango w'Afrika y'Ubuseruko zarungitswe mu butumwa bwo kugarukana amahoro mu karere k'ubuseruko bwa Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo, EACRF-DRC mu mpfunyapfunyo y'ururimi rw'icongereza, Jenerari Majoro Alphaxard Muthuri Kiugu yaragendeye ingabo z'Uburundi ziri mu turere twa Mweso, Kitchanga na Kilolirwe. Hari kw'Igenekerezo rya 14 myandagaro 2023. Yarashimiye cane izo ngabo ku bikorwa zimaze kurangura ku neza y'abanyagihugu zijejwe gucungera.*

Kugendera abasirikare ku rubuga, ni kimwe mu bintu bituma bakora banonokewe gusumba. Birafasha kandi indongozi kwegera ingabo hamwe no kuzitekerera impanuro z'ubuhinga mu butumwa ine n'itanu. Avuye i Mweso, Umukuru wa EACRF yaciye asubira inyuma aja kubonana n'ingabo z'Uburundi ziri ku kirindiro c'i Kitchanga. Bakaba bahashitse isaha indwi z'umuhingamo. Hanyuma urugendo



*Ingabo z'Uburundi ziritanga kugira zigarukane umwizero mu banyagihugu*

bwazo bwa minsi yose. Ni muri iyo ntumbero uwurongoye ingabo za EACRF yagendeye ingabo mu turere twose zirimwo kugira ngo bayage, yongere yibonere ibikorwa zimaze kurangura. Ni urugendo rwari ruteye igomwe mu mitumba n'imisozi miremire kandi ibereye ijisho. Kuva i Goma werekeza i Mweso n'urugendo rw'amasaha nk'atanu. Kugira ngo ibikorwa bigende neza, Uwurongoye ingabo za EACRF yashimye gutangurira ku kirindiro kiri kure yarusozerereye i Kilolirwe, aho naho bakaba bahashitse isaha icenda z'umuhingamo. Muri iyo mibonano yose, abajejwe ibirindiro barahejeje barerekana uburere bacungereye aho butumbereye hamwe n'ingene umutekano wifashe, ibikorwa nyamukuru bamaze kurangura, intambamyi bahura nazo hamwe n'ivyo bategekanya kurangura muri kazoza.



*Umutekano warongerekanye mu karere k'ikontenja y'Uburundi*

kugira abandanirize ku birindiro vyo hafi ; n'ukuvuga Mweso, hanyuma Kitchanga, hamwe na Kilolirwe aho yasozereye urugendo. Isaha icumi na zibiri n'igice z'igitondo, niho ingendeshwa zireruye uwurongoye ingabo za EACRF n'abo bari bagendanye zashika i Sake ku kirindiro gikuru c'ingabo z'Uburundi. Baraheza barabandanya gushika i Mweso ; naho bakaba bahashitse isaha zine n'iminota mirongo

**Uwurongoye ingabo ingabo za EACRF arashimishwa n'ibimaze kurangurwa ku rubuga**

Mw'ijambo yashikirije abasirikare,uwurongoye ingabo z'Umuryango w'Afrika y'Ubuseruko yarashimye ukuntu izo ngabo zitanga hamwe n'ishaka zifise mu kurangura neza ubutumwa bwazo n'aho zisanzwe zikorera mu karere kagoye cane. Yavuze ati, « Nabagendeye kugira ngo tuyage ivy'ubutumwa bwacu, twongere tubonane amaso mu yandi ku birindiro muriko. Ivyegeranyo vy'ibikorwa vyanyu vyama bidushikira kandi turashimishwa n'ivyo mumaze kurangura vyose ». Jenerari Majoro Alphaxard Kiugu Muthuri yamenyesheje kandi ko ashimishwa n'ukubona ubu amabarabara asigaye ari nyabagendwa na cane cane kw'ibarabara rihuza uturere twa Mweso-Kitchanga-Kilolirwe-Petit Masisi na Saké. Ikindi gihambaye n'uko impunzi zibandanya guhunguka, hakaba hibonekeza kandi ituze mu turere nka twose, aho ibitungwa biba vyibwe bisubizwa benevyo ku bwinshi, tutibagiye ko n'amashure amaze gusubira kwugurura na cane cane i Mweso aho Kaminuza zitatu, amashure yisumbuye atanu hamwe n'ay'intango indwi amaze gusubira ku mirimo.

**Abasirikare basabwa kuba abanyamwuga mu butumwa bwabo bwose**

Uwurongoye ingabo za EACRF yatumiriye kandi abasirikare gukomera kwibanga no kwamana ishaka na cane cane mu bijanye no gukingira abanyagihugu n'ivyabo. Yagize ati, "Mube abasuku beza. Abanyagihugu ba Congo barakeneye ko tubabungabungira umutekano kandi bazoheza batuvuge uko turi bivanye n'ibikorwa vyiza tuzoba twararanguye igihe cose tuzoba turi aha. Bazokwama bavyibuka uko inzaruka zizogenda zirakurikirana. Mutegerezwa rero kubafata kumwe ata nkunzi nka benewanyu na bashiki banyu. Kanatsinda, dusanzwe tugize umuryango umwe wo mu karere k'Afrika y'Ubuseruko". Uko niko yabishimangiye.

Muri urwo rugendo kw'ikontenja y'Uburundi, uwurongoye ingabo za EACRF yari aherekejwe n'icegera ciwe kijejwe igendereza n'ibikorwa vya gisirikare, Jenerari de Brigade KAPUTA KASENGA Emmanuel ; umukuru w'ibiro bikuru vya EACRF, KIBUYE Michaël ; hamwe n'izindi Ntwazangabo zikorera mu biro bikuru vya EACRF.

Mwomenya ko akarere k'ingabo za EACRF zose gasanzwe kagabuwe mu turere dutatu ; ubwa mbere hari akarere k'uburaruko ari nako karimwo ingabo z'Uburundi, hagakurikira akarere ko hagati, nako karamutswa ingabo za Kenya ziri kumwe n'iza Sudani y'Epfo, ubwa nyuma hakaba akarere k'ubuseruko gacungerewe n'abasirikare b'ikontenja y'Ubuganda.

***Capt NZAMBIMANA NORBERT***

# Ishure ECBEM ryararamuye umurwi ugira icenda

*Intwanzangabo 31 zo kw'ishure ryigisha gutwara ibatayo n'ugutunganya ivyerekeye ingabo ECBEM zararonkejwe ku wa 4 myandagaro2023, impapuro z'umutsindo inyuma yo kurangiza amezi atanu y'inyigisho. Ibirori bikaba vyabereye mu nyubakwa z'iryo shure mu Kinanira IV.*

Ishure ECBEM ryaratunganije ku wa myandagaro umwaka w'2023 mu Kinanira IV, itangwa ry'impapuro z'umutsindo ku ntwazangabo zigize umurwi w'icenda zirangije inyigishoUmukuru w'urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime akaba ari nawe yari yateye iteka ivyo birori, yarashimiye uburongozi bw'iryo shure ku gikorwa ciza bwakoze bigatuma inyigisho zigenda neza. Yarashimiye kandi intwazangabo zihejeje ivyirwa ku bwitange bwabaranze mu kiringo c'ivyirwa. Yamenyesheje ko ubumenyi baronkejwe ari inkingi izotuma bakora neza amabango makuru y'ubunyamwuga bushitse.



Yarakeje abakurikiranye izo nyigisho ku bwira n'umwete babikoranye

Jenerari Niyongabo Prime yarongeye amenyesha ko inyigisho zitangwa kw'iryo shure ari iz'agaciro kadasanzwe kuko zituma intwazangabo zaronkejwe ubumenyi bukwiye buzomufasha kurangura neza ubutumwa abategeka kuzokoresha ivyo bakuye mu nyigisho mu mabanga bazozezwa. Yarangije amenyesha ko uburongozi bwa FDNB buzobandanya kwitanga ubumenyi buhagije buzotuma barangura neza ibikorwa bazozezwa. Tubamenyeshe ko ishure ECBEM ryatanze ubushimwe ku ntwazangabo





Inyigisho zizotuma intwazangabo zirangura akazi zijejwe neza

urwego FDNB ruhamagarirwa.

Jenerari Niyongabo Prime yaribukije ko intumbero y'inyigisho ari uguha abazitabiriye ubushobozi bwo kurongora ibatayo no gukora mu bisata bitandukanye mu ma birigade bifashishije uburongozi bwiza. Yaciye muguha ivya nkenerwa vyose iryo shure ECBEM kugira ribandanye rirangura neza ubutumwa rihamagariwe. Kubwa Koroneri Nkurunziza Gilbert arongoye iryo shure, inyigisho zamaze ikiringo c'indwi 22 ataguhema, zikaba zatumye intwazangabo zitabiriye ivyo vyirwa zunguka zine zabaye iza mbere mu manota yo mw'ishure hamwe n'ababaye akarorero mu kwerekana indero nziza ya gisirikare mu kiringo c.inyigisho.

***Maj BAZIRUTWABO HERMAN***

# Ishure ry'imyuga EMM riheruka kuramura abanyeshure bashasha

*Ishure ry'imyuga y'igisirikare (EMM) ryaratunganije ibirori vyo gutanga impapuro z'umutsindo ku basirikare bangana ijana na mirongo itanu na babiri bari barangije ivyigwa vy'umwaka w'2022 ushira 2023 kw'igenekerezo rya 7 mukakaro 2023 ku Muzinda. Ibirori bikaba vyatewe iteka n'uwurongoye igisata kijejwe inyigisho mu rwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi Jenerari de Brigade Niyungeko Léonidas.*

Imbono y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ni iyo kuronka igisirikare c'abanyamwuga babushitse, kigezweho, gishobora kugwanya uko bitegerejwe umwansi w'amahoro gifatiganije n'abandi bakorera mu gisata c'umutekano. Kugira ngo ivyo urwo rwego rubishikeko, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruratunganya inyigisho zitandukanye zironsa ubushobozi abasirikare bwo gushobora kurangura neza imirimo bajejwe. Ni muri n'umuyagankuba n'ibindi. Ati : « Izi nyigisho si ngira kamaro gusa ku rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi n'abazironkejwe n'imiryango yabo kuko inyigisho baronse zizobafasha bamaze gukukuruka.» Jenerari de Brigade Niyungeko Léonidas yaboneyeho kwibutsa abari bahejeje kuronka urupapuro rw'umutsindo inkingi zitanu urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwubakiyeko arizo zizi indero ya gisirikare, kwubaha no kuyoboka inzego z'igihugu



Abarangije inyigisho basabwa gukoresha ubumenyi baronkejwe ku nyungu za gisirikare

iyo ntumbero urwo rwego rwashizeho amashure atandukanye, ishure EMM rikaba riri muri ayo mashure. Iryo shure rikaba ryararangije umwaka w'ishure w'2022 ushira 2023 inyuma y'imyaka itatu ku bisongerezi hamwe n'amezi icenda ku basirikare bato bato bari bamaze bakurikirana ivyigwa. hisunzwe amategeko, umutima w'ugufatana mu nda kwa basirikare, umutima w'ugukunda igihugu hamwe n'ukwitwararika kurangurana ubuhinga n'ubumenyi hamwe n'akarangamutima k'igisirikare imirimo ya minsi yose. Akaba yabahamagariye kurangwa nizo nkingi mu mirimo yabo ya minsi yose. Akaba yaranashimiye Reta y'Uburundi yo yama ishigikira urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi kugira rube rutumwako biciye mu nyigisho.

ko ishure rigizwe n'ibisata bibiri igisata cigisha ibisongerezi vy'intwaramiheto n'abaporisi hamwe n'igisata c'abasoda n'abaporisi batobato. Umwimbu wabonetse ukaba ungana n'ibice 98 kw'ijana kandi ukaba ushimishije. Ati : « Nk'uko inyigisho z'imyuga zisanzwe zitunganijwe ku rwego rw'igihugu, ibisongerezi bahabwa urupapuro rw'umutsindo (diplôme), abasoda batobato nabo urupapuro rurangiza inyigisho (certificats). Ibisongerezi vy'intwazangabo bize imyaka itatu n'abasoda bato bato amezi icenda ». Yarashikirije impanuro abari barangije inyigisho mukubahamagarira gukoresha ubumenyi baronkejwe ku nyungu y'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi hamwe n'ukwama barangwa n'indero ya gisirikare aho bazoba bariko barakorera hose.

Uwurongoye ishure ry'imyuga y'igisirikare Riyetena Koroneri Muzinga Olivier akaba yaboneyeho akaryo ko gushimira abigisha bo bitanze uko bashoboye kugira inyigisho zigende neza.

Uwaserukiye uwurongoye inyigisho mu rwego rw'igiporisi c'Uburundi Koroneri de Police Niyonkuru Eric yamenyesheje ko igiporisi c'Uburundi gishimira cane urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi kukugene rubashigikira mu nyigisho akaba yarakengurutse kubona rwaremeye kwigisha ibisongerezi n'abaporisi bato bato mw'ishure EMM. Ati : « Intererano ry'abaporisi bamaze kuramugwa mu giporisi c'Uburundi ni ntamakebwa. »



Ubumenyi baronkejwe buzobafasha bamaze no gukukuruka

### Ubumenyi baronkejwe buzobagirira akamaro bamaze no gukukuruka

Nk'uko uwurongoye igisata kijejwe inyigisho Jenerari de Brigade Niyungeko Léonidas, yabishikirije abasirikare barangije inyigisho bazoterera mu bisata bitandukanye nko mu bijanye n'inyubako, ibijanye n'ivy'amazi, ugusanura imodoka, ibijanye

### Bamenye ku rugero rushimishije

Uwurongoye ishure EMM Riyetena Koroneri Muzinga Olivier yamenyesheje Bisabwe n'ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba, ishure EMM ryaremerewe gukora kumugaragaro n'ubushikiranganji bujejwe indero n'ubushakashatsi mu mwaka w'2016 kwinjira ku rugero rumwe n'ayandi mashure y'imyuga ari mu gihugu c'Uburundi.

***Maj NGENZEBUHORO ALICE***

# Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurabandanya urugamba rwo kugwanya ikiza Sida

*Igisata kijejwe amagara y'abantu mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi gifadikanije n'ishirahamwe PSI Burundi caratunganije umunsi wo kumenyesha no guhanahana ivyiyumviro ku bikorwa nyamukuru biri mu nteguro y'itegeko ryo kurwanya umugera wa Sida, ingwara zifatira mu bihimba vy'irondoka hamwe n'umugera epatite mu mwaka w'2023-2027 mu gisirikare. Ibikorwa vyatunganijwe i Bujumbura kuwa 21 mukakaro2023 ku ntwazangabo zirongoye abandi ku rwego rwa diviziyo na brigade.*

Kuva mu mwaka w'2005, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rwaratanguye umugambi wo kurwanya ikiza SIDA mu basirikare, imiryango yabo hamwe n'abanyagihugu bose babakikuje. Guhera ico gihe, integuro z'itegeko zigenga ibikorwa bizorwa zishika zitatu zaratunganijwe zikaba zagiye zirahinyanyurwa uko imyaka yakurikiranye. Integuro yambere yo muri 2005-2013 yari yerekeye guhimiriza no kwikingira ikiza SIDA. Integuro ya kabiri yo muri 2014-2022 yari yerekeye guhimiriza, kwikingira, gupima hamwe no kuronsa imiti abagendana umugera wa SIDA. Nayo iyagatatu yo muri 2023-2027 ikaba izobandanya ibijanya no kurwanya ikiza SIDA, ingwara zifatira mu bihimba vy'irondoka hamwe n'umugera wa epatite.

Uruganda rufise intumbero yo kumenyekanisha no guhanahana ivyiyumviro ku biri mu nteguro y'itegeko yo kurwanya ikiza SIDA mu gisirikare y'umwaka w'2023-2027 rwaratunganijwe i Bujumburu n'igisata kijejwe amagara y'abantu mu gisirikare gifashanije nb'ishirahamwe PSI burundi. Abarongoye abasirikare ku rwego rwa diviziyo na brigade bari bitavye urwo ruganda barahanahanye ivyiyumviro kuri iyo nteguro y'ibikorwa bongera barapfundikira hamwe ivyohinyanyugurwa. Iyo nteguro y'ibikorwa ikaba ifise intumbero yo : « Kugira igisirikare kitagira umugera wa SIDA, ciyemeje kurwanya bimwe bikomeye ico kiza, gukinga hamwe no gufasha abagendana uwo mugera, hamwe n'izindi abandi zari zitavye hamwe ibikorwa hamwe n'intererano bashikirije kandi ko bagiye kubikorerako muri iyo nteguro y'itegeko.

Mwomenyako iryo tunganywa ry'itegeko ryo mu gisirikare rije ryisunga integuro yo ku rwego rw'igihugu ikaba izoshimikira ku kwikingira, guhimiriza guhindura ingendo, impanuro, kwipimisha kubushake, gushira hagufi uburyo bwo kwikingira hamwe no gufasha mu kuronsa imiti no gukurikirana abasirikare n'imiryango yabo hamwe n'abandi banyagihugu babitura bose bagendana uwo mugera.

Tubamenyeshe kandi ko muri kino gihe urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rufise ibigo bishika umunani mu turere



*intambwe bagezeko mu kurwanya umugera wa Sida mu gisirikare irashimishije*

Mu gihe bariko barasubiza amaso inyuma mu bikorwa vyo muri izo nteguro z'itegeko zibiri zatanguye, Muganga Nadine Karemere arongoye ibikorwa mw'ishirahamwe PSI Burundi mu mugambi wo kurwanya ikiza SIDA w'igisata c'ukwivuna abansi c'abanyamerika yamenyeshejo intambwe bagezeko mu gisirikare c'Uburundi ishimishije cane kandi bibatera intege. Ariko naho biri uko, intambamyi ntizibura mw'ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa na cane cane kuvyerekeye ingene abasirikare bahindura ibirindiro kenshi canke bakaja mu makungu mu bikorwa vyo kugarukana amahoro bigatuma kubakurikirana bitoroha.

ngwara zifatira mu bihimba vy'irondoka n'umugera wa epatite biciye mu bikorwa bitandukanye bishasha bizoshirwaho eka mbere no gukurikirana abasirikare n'imiryango yabo bizoba vyabonetseko bafise zimwe muri izo ngwara ». Muganga Riyetena Koroneri Desiré Nizigama arongoye igisata c'amagara y'abantu mu gisirikare mw'ijambo yashikirije, yarashimiye abo bose bagize ico bakora kugira iyo nteguro y'itegeko ishikweko na cane cane ishirahamwe PSI Burundi risanzwe ribafasha muvy'ubuhinga n'uburyo mu mugambi wo kurwanya ikiza SIDA. Yarangije ashimira intwazangabo zirongoye

twose twa gisirikare hamwe no ku bitaro vy'abasirikare mu kamenge. Ivyo bigo bikaba bifasha mukwakira no gukurikirana abagendana umugera wa SIDA hama mu basirikare, imiryango yabo hamwe n'abandi banyagihugu babitura muri rusangi.

**Capt NTAKARUTIMANA RUTH**

# Inyigisho,inzira yo kurangura neza ibikorwa

*Intwazangabo zishika mirongo ine zo mw'ibatayo y'icenda ya Minusca bararangije inyigisho zibanze zo kwitegurira kuja mu butumwa bwo kugarukana amahoro mu gihugu ca Centrafrika. Izo nyigisho zikaba zabereye i Bujumbura kuva kw'igenekerezo rya 21 gushika ku rya 25 myandagaro 2023.*

Kugira ubutumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano buranguke neza,inyigisho zirakenewe. Ni muri iyo ntumbero intwazangabo mirongo ine zitegurira kuja mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu ntumbero yo gushira ubumenyi hamwe kugira bazoshobore kurangura neza imirimo bajejwe. Yongeyeko ko ubwo bumenyi bazobusabikanya n'abandi bari kumwe bose kugira buzobabere igikoresho co kurangura neza ubutumwa bazoba barimwo. yashikirije ijambo kwizina ry'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu birori vyo gusozera izo nyigisho,yaragarutse kuri bimwe bimwe muvyari bigize izo nyigisho : aha twovuga intangamarara kubijanye n'ubutumwa bwo




*Inyigisho zizotuma barangura ubutumwa bw'akazi neza*

mu gihugu ca centrafirika zakwirikiranye inyigisho mu kigo Kings Conference Center kuva kw'igenekerezo rya 21 gushika ku rya 25 myandagaro 2023.inyigisho zikaba zari zerekeye imirimo bazorangura zikaba zizobafasha kurangura neza imirimo bazoba bajejwe. Inyigisho zikaba zatunganijwe mu ntumbero yo kwongereza ubumenyi bw'intwazangabo zitegurira kuja kugarukana amahoro mu rwego rw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU muri centrafirika.

Uwurongoye ibatayo ariwe koroneri Ntakirutimana Protais yarashimiye igisirikare c'Uburundi categuye izo nyigisho ngirakamaro ku ntwazangabo zitegurira kuja kugarukana amahoro. K'ubw'uwo arongoye iyo batayo,izo nyigisho ngo zafashije kumenya umwe wese aho afise inkomezi canke intege nke Yahamagariye intwazangabo zakwirikiranye izo nyigisho gushira mu ngiro ubumenyi baronkejwe kugira berekane ico bungutse mu kurangura neza imirimo bahamagarirwa.

Icegera c'uwurongoye ikigo kijejwe inyigisho 'zijanye n'ibikorwa vyo kugarukana amahoron'umutekano koroneri Ndereyimana Alain, nawe nyene yarashimiye igisirikare c'Uburndi ko ataco kitakoze kugira izo nyigisho zigende neza.Yarashimiye n'abigisha bo muri ico kigo bakoze uko bashobora mugusangiza ubumenyi abitegurira kuja mu butumwa bwo kugarukana amahoro. Yongeyeko ko umwitwarariko n'ubukerebutsi abariko baronswa inyigisho berekanye ati ni ikimeneyetso kigaragaza ko bazorangura ubutumwa nk'uko ababarongoye bavyifuza.

Koloneri Nteturuye wancelas kugarukana amahoro,kumenya igihugu ca Centrafirika,ubutumwa bwo kugarukana amahoro ku rwego rw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU n'ibindi…. . Akaba nawe nyene yarashimiye abigisha kubukerebutsi n'ukwitanga berekanye nayo abazikwirikiranye yarabashimiye kukwigenza neza n'ubukerebutsi berekanye mugihe bamaze muri izo nyigisho. Yarabashimiye kandi kukungene bahanahanye ivyiyumviro ngirakamaro akaba yabifurije kw'izina ry'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kuzorangura neza igikorwa c'abarongoye abandi no kuba abaserukizi beza muri Minusca. Twomenyesha ko inyigisho nkizo zama zironswa abasirikare bitegurira kuja kugarukana amahoro n'umutekano haba muri Centrafrika canke muri Somaliya.

***Lt -Col NDAYIRAGIJE COME***

# Ikontenja y'abarundi igira 8 mu rwego rwa Minusca yaratanze imiti ku benegihugu bo mu karere ka Bemba

*Ikontenja y'abarundi igira 8 mu rwego rwa Minusca, ibicishije mu gisata kijejwe amagara y'abantu, yaratunganije igikorwa co gupima no kuvura indwara ya marariya abagwayi barenga amajana abiri baba mu karere ka Dekoa kw'igenekerezo rya 28 myandagaro 2023. Yarongeye iratanga imiti ku bitaro vy'i Dekoa.*

Mukubandanya gushira mu ngiro ubutumwa bw'ukugarukana amahoro mu gihugu ca Centrafrika, ikontenja y'abarundi ya Minusca yararanguye ibikorwa vy'ugushigikira abenegihugu barapimwe bongera baravugwa marariya, mbere n'abandi bagwayi baravuwe indwara zitandukanye. Vyongeye, ikontenja y'abarundi yararonkeje ingabire y'imiti ibitaro vy'i Dekoa izobafasha abantu karere k'ubuvuzi gashira imbere gukingira abenegihugu b'abasivire hamwe no gutsimbataza imigenderanire myiza hagati y'abasirikare ba Minusca hamwe n'abenegihugu ba Centrafrika.




*Abasirikare b'abarundi mu rwego rwa Minusca bafashisha imiti abanyagihugu mukarere ka Bemba*

b'ico gihugu nko kubashigikira mu bijanye n'amagara y'abantu mu bijanye n'imigenderanire hagati y'abasirikare n'abenegihugu. Bafadikanije nabajejwe akarere k'ubuvuzi mu karere ka Dekoa, igisata kijejwe amagara y'abantu mw'ikontenja y'8 y'abarundi ya Minusca yaratanze imfashanyo ku benegihugu baba mu karere ka Bemba kw'igenekerezo rya 28 myandagaro 2023.

Nk'uko vyashikirijwe na Muganga w'ikontenja y'abarundi, Kapitaine Akimana Mélance, hejuru y'igikorwa co guhimiriza abenegihugu ku bijanye n'ukwikingira indwara ya marariya, abagwayi barenga amajana abiri batazoba bafise uburyo bwo kwivuza.

Umuganga wo mw'ikontenja y'abarundi yamenyesheje ko inyishu z'ibipimo bakorewe zerekana ko ingwara ya marariya iriho muri ako kerere. Dimanche François Nabana, atwara akarere ka Dekoa, yaremeje ko abenegihugu baho bafise ingorane nyinshi mu vyerekeye amagara y'abantu. Ati : « Nivyo turafise ibitaro vy'i Dekoa bigerageza uko bishoboye gutorera inyishu indwara ya marariya yica abenegihugu benshi cane cane mu gihe c'imvura, mugabo ivyo bitaro bifise ingorane zijanye no kuronka imiti n'abakozi babanyamwuga ». Ni muri iyo ntumbero kapitaine Akimana yasiguye ko ako Uwurongoye akarere ka Dekoa yarashimye igikorwa ikontenja y'8 y'abarundi ya Minusca yakoze ati iyo mfashanyo yaje hageze kuko ifasha gutorera umuti ingorane z'amagara y'abantu zugarije abenegihugu ba Centrafrika.

Amakontenja atandukanye ya Minusca yarungitswe mu butumwa kuva mu mwaka w'2013 ntaco atakoze mu gushigikira mu buryo butandukanye abanegihugu bantahonikora. Ivyo bikaba bishimwa.

***Maj MANIRAMBONA DIOMEDE***

# Umurwi wa Muzinga w'abigeme niwo wabaye uwa mbere ku rwego rw'igihugu

*Umurwi wa Muzinga w'abigeme w'umupira w'amaboko volleyball niwo watahukanye intsinzi mw'ihiganwa ryo ku rwego rw'igihugu ry'umwaka 2022 ushira 2023.Iryo higanwa ryatunganijwe i Bujumbura mu kwezi kw'indwi 2023.Ico kibanza ca mbere uwo murwi ukaba ukimazemwo imyaka irenga icumi.*

Ishirahamwe ry'umupira w'amaboko Volleyball mu Burundi ryaratunganije ihiganwa ku rwego rw'igihugu ryahuje imirwi yo hagati mu gihugu hamwe n'imirwi ikukira ishirahamwe ry'I Bujumbura AVAB mu mpfunyapfunyo.Mu ntango ,imirwi ikukira amashirahamwe yo hagati mu gihugu ikaba yabanje gukuranamwo kugira hasigare imirwi itandatu gusa.Iyo nayo ikaba yaca ihura n'iyindi itandatu mu bagabo yo mw'ishirahamwe ry'i Bujumbura.Muri iryo higanwa ,umurwi wa Muzinga ukukira ukukira igipolisi c'Uburundi. Umurwi wa Muzinga w'abigeme wowo ukaba warashoboye kugumya ikibanza cawo ca mbere inyuma yo gutsinda urukino rwanyuma rwabahuje n'umurwi wa Les As ku ntsinzi y'amaseti atatu kuri imwe. Uwo murwi nyene wa Muzinga w'abigeme ukaba ari na wo watahukanye ihiganwa ryo mw'ishirahamwe ry'I Bujumbura ata rukino na rumwe utakaje.Umurwi wa Muzinga w'abagabo nawo warangije ihiganwa uri mu mirwi ine ya mbere ku rwego rw'igihugu.



*Umurwi wa muzinga w'abigeme niwo watahukanye intsinzi*

**Uwurongoye umurwi wa Muzinga yararonkejwe urupapuro rw'iteka**

Ishirahamwe ry'umupira w'amaboko ryararonkeje urupapuro rw'iteka uwusanzwe arongoye umurwi wa Muzinga w'umupira w'amaboko Volleyball ,Jenerari-Majoro Nduwayo Vénuste ku ntererano idasanzwe yagize mw'iterambere rya volleyball y'u Burundi .Iryo shirahamwe rikaba ryarashimiye umwete n'umwitwarariko uwo arongoye uwo murwi agira mu kwama hafi abakinyi biwe mw'ihiganwa. Abarongoye ishirahamwe ry'umupira w'amaboko Volleyball barashimiye abarongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ku kungene bitayeho iterambere rya Volleyball y'abigeme kuko ari wo murwi wonyene ufise umurwi w'abagabo n'uw'abigeme. Umurwi wa Muzinga w'abigeme akaba



*Uwurongoye umurwi wa muzinga yararonkejwe urupapuro rw'iteka*

urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi wari waserukiwe n'imirwi ibiri uw'abagabo hamwo n'uw'abigeme.Iyo mirwi yose uko ari ibiri ikaba yarakinye igice ca kabiri gishira icanyuma c'ihiganwa naho umurwi w'abagabo utashoboye kubandanya inyuma yo gutsindwa n'umurwi wa Rukinzo ariwo uzoserukira Uburundi mu nkino zo mu mwaka uza zizohuza imirwi yabaye iya mbere mu bihugu iwabo.

***Maj NININAHAZWE JM VIANNEY***